Coptic Orthodox Patriarchate
His Holiness Pope Tawadros II
Pope of Alexandria and
Patriarch of the See of St. Mark
The Papal Center

بطريركية الأقباط الأرثوذكس
قداسة البابا الأنبا تواضروس الثاني
بابا الأسكندرية
وبطريرك الكرازة المرقسية
المقر البابوي

222 Ramses St., Abbaseya, Cairo, Egypt
222 شارع رمسيس ، العباسية ، القاهرة ، مصر
Tel: 024822580 Fax: 0235365880 email: office@popetawadros.org 0235365880 :فاكس 024822580 :تليفون

*Kirundi – Resurrection 2024*

**Kw'izina rya Data, n'irya Mwana, n'irya Mutima Mweranda, Imana imwe, Eme.**

Ubuntu bwiwe n'imbabazi ziwe bibe kuri twebwe ubu n'ibihe vyose, Eme. Kristu yazutse, n'ukuri yazutse. Ndabakeje, bakunzi, ku musi mukuru uninahaye w'izuka. Ndakeje amasengero yose ya Orthodoxe Copte n'ama monasiteri ku migabane y'isi yose, muri Afurika, Aziya, Uburayi, Amerika ya Ruguru, Amerika y'epfo, ndetsa n'umugabane wa Osarariya hamwe no mu gisagara c'Imana yacu, Yeruzaremu. Ndabakeje kuri uyu musi mukuru duhimbaza inyuma yo kwisonzesha muri iyo Karema Nyeranda. Ukwo kwisonzesha, kurimwo imigirwa yo kureka ibituryohera hamwe n'ubuzima bwo mu Mana, kuratwuzuza kukanaduhimbara.

Dushikiriye izuka no ku mugoroba buca haba izuka, hari ibintu vyinshi biba imbere zacu. Kimwe muri ivyo bintu ni ica ba Mariya bariko bagerageza gushikana ibimota. Mugabo bari bahanzwe n'iki kibazo: Ni nde aza kudutembagariza ikibuye (Mariko 16:3)? Iki kibazo nticibazwa na ba Mariya gusa, ariko na twebwe turahura na co mu buzima bwacu bwa misi yose. Mu buzima bwumwe wese muri twebwe turahura n'ibibazo vyinshi dugaca no mu bihe bitandukanye vyinshi, hama kenshi ikibuye kikaguma ciboneka mu buzima bwacu. Iki kibuye gishobora kuba igicumuro. Gishobora kuba Ubunebwe, gishobora kuba kwitaho akazi bimwe bikabije, gishobora kuba ivy'umuntu ubwiwe, gishobora kuba ivyo twitaho kurusha n'ukuntu tubitunganya. Ni nde none azodutembagariza ikibuye? Ikibuye ngaha gisigura intambamyi ku muntu. Ni nde azocunguruza? Ni vyo biraboneka kuri twebwe ko ba Mariya bari abagore. Bahagaze imbere y'ikibuye kinini cari kizibiye umuryango w'uruhafu, ntivyari vyoroshe kuri bo kugitembagaza. Cariko giteza ingorane.

Mu buzima bwacu bwa misi yose, duhura n'ibibazo vyinshi, hama ikibazo kikaza: Ni nde azodutembagariza ikibuye? Ni nde atorera umuti ikibazo ? Ni nde azokura izi ngorane ? Ni nde yoducira inzira ? Ndabibutse umugabo umwe yari atunze (Luka 18:18-23). Habaye umugabo atunze, hama aragenda araheza abaza Kristu ikibazo ciza cane hama avuga, Nokora iki kugira nzoronke ubuzima budahera ? Ikibazo gikomeye. Umugabo arondera ubuzima budahera. Kristu amaze kumusigurira kugendera amabwirizwa,

yaciye amubwira ati : “ Ivyo vyose nabigendeye kuva mu buto bwanje. “ Aramubwira ati : “ ubura ikintu kimwe. “ Iyindi ntambwe. Iyo ntambwe imwe n’iyihe ? Genda, ugurishe ivyo utunze vyose uheze ubihe aboro, kugira ugire ubutunzi bwawe mw’ijuru, hama uheze uze unkurikire, wikorere umusaraba. Igitabo kiratubwira. Uyu mugabo yagiye ashavuye (Luka18 :23).Ikibuye cari imbere yiwe, ntiyashobora kukirengana.Ubutunzi bwiwe bwari ikibuye. Ndabibutse umugani w’umufarizayo n’umutozakori (Luka18 :9-14). Igihe binjira mw’isengero, ukwikwiza muri vyose kw’uyu mufarizayo kwamuje imbere, ukwikwiza n’ukwibaza kwari uw’akarorero. Wa mugabo we yari umutozakori, yasohotse yitunganije. Kubera yavuze ijambo rimwe. O Mana, mbabarira, kuko ndi umucumuzi (Luka 18 :13). Ni nde azodutembagariza urubuye ?

Ikigira kabiri, ba Mariya, nubwo ikibazo cari kibahanze ndetse bikaba vyari bigoye guhangana naco, ukuri nuko bari bafise umwete n’ukwitanga. Bakoze iki? Bariteguye bategura n’ibimota, hama baratangura barasohoka, bazinduka mu gaturuturu (Mariko16:1) kugira bagende baheze bashire ibimota ku mubiri wa Kristu, yapfiriye ku musaraba. Icari kibaraje ishinga cari yari nde yoshobora gutembagaza ikibuye. Iki kibazo ntabwo cabaciye intege; congereje ahubwo ukwitanga kwabo. Bagumyeko n’ukwizera nta ngere n’ukwemera kudasanzwe ko hari ikintu bategerezwa gukora. Umutumwa Pawulo Mweranda aratubwira umurongo mwiza cane: “ntimugacererwe mu gukorana umwete, muguhimbarwa muri Mutima, mukorera Umukama “(Abaromani12:11). Igitabo c’imigani mu bw’uzure bwa kera, kiravuga: “umugabo w’ikinebwe ntiyotsa ico yafashe ari guhiga” (Imigani 12:27). Ibi bisigura yuko uzanye igera ukariterera utariteguye neza, nta fi uzofata. Mu bwuzure bwa kera, ibihe Nehemiya yari arimwo igihe yari yagizwe imbohe turabibwirwa. Amakuru avuga ko impome z’igihugu ciwe zasenyutse ashikira Nehemiya ko n’imiryango yaco yaturijwe umuriro. Mu nyuma amaze kuronka uruhusha rw’Umwami, yatanguye asubira mu gisagara ciwe, naco cari Yeruzaremu, araheza atangura kwubaka, ariko ntabushobozi na bumwe yariafise, ni ko guca atangura kubwira ababa ahegereye uruhome ko umwe wese ategerezwa kwubaka igice c’uruhome cari imbere y’inzu yiwe ( Nehemiya3:28). Baraheza baca batangura kubikora uko nyene. Yababwiye ijambo rikomeye cane ryababwira : “Imana yo mw’ijuru ubwayo izobidushoboza; ni c ogituma twebwe n’abasuku bayo tuzohaguruka hama twubake, ” (Nehemiya2:20). Ibi bisigura yuko tuzoshobozwa n’Imana igihe tuzohaguruka tugakora. Naho uruhome imbere yiwe rwari rwarasenyuwe n’imiryango ikaba yari yaraturijwe umuriro. Birashoboka ko iki kintu cari co kimwe no kuri babakobwa b’inkumi ziciye ubwenge (Matayo 25:1-13). Barakoze cane, baraategura amavuta, barategura amatara, baraheza barindira Kristu. Bagumye bahagaze, naho batari bazi igihe umugeni Kristu ashobora kuzira.

Intambwe ya mbere, ni nde azodutembagariza urubuye? Iki kintu kirakomeye. Intambwe igira kabiri ni umwete n’ingoga. Intambwe igira gatatu yari intambwe nziza, intambwe

y'ibuye ryateruwe. N'ukuboko kw'Umukama wacu mu gihe bikunze. Barashitse ku ruhafu hama babona rwa rubuye rwaratembagajwe (Mariko 16:4). Mwibaze ukuntu biyumvise. Umunezero wari muri bo nuko ikibuye cari kibabereye ingorane cari cateruwe na Yezu Kristu kandi yari yazutse mu bapfuye. Basanze urubuye rwatembagajwe basanga uruhafu ruragaragara ndetse n'ukuboko kw'Imana kukaba ku kivi. Kubw'ivyo rero, iyo muhuye n'ingorane mumenye ko ukuboko kw'Imana kuriko kurakora. Umusi umwe, Imisi ibiri imbere y'Izuka, umusaraba wari kuwagatu, hama Yezu kristu abambwa ku musaraba, iburyo bwiwe hari igisuma ibubamfu bwiwe naho hakaba ikindi gisuma, kugira ngo umwe wese afatwe nk'uko yari umusuma. Umusuma yari iburyo yaravuze ijambo ryiza cane kandi nibaza ko atari yiteze: "uranyibuka Mukama niwashika mu bwami bwawe," kandi vyagenze uko. "Uyu musi uza kuba uri kumwe nanje mw'iparadizo" (Luka 23:42-43). Kristu yazutse kugira ngo tudugane nawe. Kubw'iyo mvo, iyo muhuye n'ikibazo canke ingorane, kora cane hama mube abanyakuri kandi mumenye ko ukuboko kw'Imana kuriko kurakora kandi ko impera yanyu izoba itangaje kubw'ukwemera n'ukwizigira vyanyu.

Ndabakeje kuri uyu musi mukuru uninahaye. Ndakeje abaherezankuka bose b'iburaya, abasenyeri, abahigumeni n'abapatiri. Ndakeje abadiyakoni, abakuru n'abasuku. Ndakeje umuryango wose wo mu misiri mw'isengero ryose ndetse aho riri hose. Ndakeje abashingantahe n'abapfasoni, ndakeje kandi abasore n'inkumi, ndakeje kandi n'abana. Ndabakeje ndi mu gihugu ca Egiputa no mw'isengero rya Orthodoxe Copte, aha muri Katederari yitiriwe umweranda Mariko w'Abbasiya, i Kayiro. Ndabakeje mwebwe mwese. Ndabipfurije umusi mukuru w'umunezero n'umuhezagiro, wuzuye akanyamuneza n'ibigumbagumba vy'Izuka rininahaye turiko duhimbaza kandi tunezerewe tubicishije mu majambo y'amasengesho ya misi yose, " haguruka, mfura z'umuco, kugira dushobore gutazira Umukama Imana nyen'ingabo." Christos Anesti, Alithos Anisti. Kristu yazutse, n'ukuri yazutse.

